**Itangazo kubanywanyi no ku miryango**

**Kuvyerekeye gukemura ibibazo vya Immigration**

Ikigo ca Howard Center kiratahura yukwo hari ibibazo vyinshi vyerekeye amategeko mashasha y'uruja n'uruza canke immigration. Turatahura ko hashobora kubaho bamwe mu banywanyi bacu canke imiryango bafise impungenge nimba hatoba ikibazo mu gihe bobandanya gusaba seruvisi za Howard Center.

Turashaka ko abanywanyi bacu bagumana natwe atampungenge canke ubwoba. Turi ngaha twishure ibibazo vyose mwogira kandi tubasangize amakuru dufise ava mu buyobozi kuva mu turere gushika ku gihugu hamwe n'abahinga ba hano mu gihugu. Howard Center irarajwe ishinga cane no kwubahiriza amabanga y'abanywanyi bacu n'imiryango, hatisunzwe ico umuntu ari mu gihugu canke muri immigration. Tuguma twubahiriza akarangamutima kacu harimwo no gushira abanywanyi bacu mu bantu b'inkoramutima mu gufata ingingo z'ikigo cacu.

Amashirahamwe ajejwe gukurikiza amategeko arafise uruhara runini mu gukingira umutekano w'abanyagihugu. Howard Center iriko iragerageza gushiraho imfatiro zo gukorana n'ugutahurana n'abajejwe amategeko kugira ikibano cacu kimererwe neza. Turatahura kandi ikibazo co kutabanguka gukorana n'inzego zijejwe amategeko hamwe na immigration. Howard Center ntizokwigera itanga amakuru y'umunywanyi wayo ku nzego zijejwe uruja n'uruza canke immigration kiretse vyategetswe n'amategeko canke Sentare ngo bitangwe. Turabijeje gukurikiza amategeko tunabubahiriza kucerekeye amakuru yanyu. Ikindi, turafise ababijejwe kugira bishure ku kibazo cose gisa nico cokwiyadukiza, kugira hisungwe amategeko kandi hubahirizwe n'agateka k'abanywanyi bacu.

Turaha agaciro ubwizigirwa mwatugiriye.